Ikigo c'Uburundi kijejwe gutororokanyaibiharuro vy'ubuzima bw'igihugu bifatirwako mu gufata ingingo (ISTEEBU)

*Ubuyobozi Bukuru*

# Itangazo ku bimenyesha makuru

Contacts
Direction Générale

B.P
1156 Bujumbura
Burundi

Téléphone
+257 22 226 729

Fax
+257 22 222 635

e-mail
isteebu@isteebu.bi

Site Web
www.isteebu.bi

Date de publication
Le 14 Mars 2022

Prochaine publication
Le 10 Avril 2022

Direction Technique
DESEEF

Téléphone
+257 22 216 735

Service Technique
ESPC

Téléphone
+257 22 275 482

## Igipimo c'ihindagurika ry'ibiciro mu Burundi vy'ivyankenerwa mu miryango : umwaka w'ibihumbi bibiri na mirongo ibiri na kabiri (2022).

Dufashe ko umwaka uhera muri Ruhuhuma (2022), dusanga ibiciro vyo mu Burundi vyiyongereye k'urugero rw'ibice icenda n'uduce tune w'ijana (9,4%) ugereranije n'umwaka waheze mu kwezi kwa Ruhuhuma 2021. Twobibutsa ko iryo hinduka ry'ibiciro ku masoko yo mu Burundi vyari vyiyonereye ku rugero rw'ibice umunani n'uduce umunani w'ijana (8,8%) mu kwezi guheze (Nzero 2022).

Tugereranije urugero rw'ico gipimo mu kwezi kwa Ruhuhuma 2021 no muri kuno kwezi kwa Ruhuhuma 2022, dusanga ibiciro vyiyongereye ku rugero rwa 13,4%. Tukabibutsa ko ibiciro vyari vyiyongereye ku rugero rwa 12,3% mu kwezi kwa Nzero 2021.

Ugereranije ibiciro vyo muri uku kwezi kwa mbere (Ruhuhuma 2022) n'ivyo mu kwezi guheze kwa mbere (Nzero 2022), urugero rw'ivyo biciro vyiyongereye kugice kimwe n'uduce umunani kw'ijana (1,8%), Tukibutsa ko mu kwezi guheze kwa Nzero vyari ku rugero rumwe rugana n'igice kimwe n'uduce umunani kw'ijana (1,8%). Iryo duga ry'ibiciro rikaba ryatewe ahanini n'iduga ry'ibiciro vy'ibifungurwa ku rugero rwa 2,3%.

| Umwaka | Ukwezi | Igipimo c'ibiciro muri rusangi | | Igipimo c'ibiciro bidahindagurika cane | | Igipimo c'ibiciro vy'ibifungurwa gusa | |
|---|---|---|---|---|---|---|---|
| | | Ihinduka ugereranije n'amezi 12 aheze | Ihinduka ugereranije n'ukwezi Guheze | Ihinduka ugereranije n'amezi 12 aheze | Ihinduka ugereranije n'ukwezi Guheze | Ihinduka ugereranije n'amezi 12 aheze | Ihinduka ugereranije n'ukwezi Guheze |
| 2021 | Ruhuhuma | 7,5 | 0,8 | 3,8 | 0,2 | 12,4 | 0,6 |
| | Ntwarante | 7,5 | 1,5 | 3,6 | -0,1 | 12,3 | 2,2 |
| | Ndamukiza | 7,4 | 1,3 | 3,3 | 0,7 | 11,9 | 1,7 |
| | Rusama | 7,0 | 0,5 | 3,2 | 1,9 | 11,0 | -0,2 |
| | Ruheshi | 7,1 | 0,4 | 3,2 | 1,0 | 10,9 | 0,2 |
| | Mukakaro | 7,3 | 0,4 | 3,4 | 1,1 | 11,0 | 0,5 |
| | Myandagaro | 7,6 | 0,5 | 3,9 | 1,3 | 11,2 | 0,6 |
| | Nyakanga | 7,9 | 0,6 | 4,5 | 1,1 | 11,5 | 0,8 |
| | Gitugutu | 8,2 | 0,5 | 5,1 | 0,0 | 11,4 | 0,1 |
| | Munyonyo | 8,2 | 1,4 | 5,8 | 2,8 | 10,9 | 1,6 |
| | Kigarama | 8,3 | 1,7 | 6,8 | 2,4 | 10,5 | 2,1 |
| 2022 | Nzero | 8,8 | 1,8 | 7,9 | 0,7 | 10,9 | 3,5 |
| | Ruhuhuma | 9,4 | 1,8 | 8,9 | 1,2 | 11,5 | 2,3 |

**Umuyobozi mukuru w'ikigo ISTEEBU**
**Nicolas NDAYISHIMIYE**